REPUBLIQUE DU BURUNDI

CABINET DU PRESIDENT

--------------------

# IJAMBO NYENICUBAHIORO UMUKURU W'IGIHUGU ASHIKIRIJE MU NTANGO Y'UMWAKA MUSHASHA W'IBIHUMBI BIBIRI N'INDWI

*Bujumbura, Ku wa 31 Kigarama 2006*

**BARUNDI, BARUNDIKAZI, NCUTI Z'UBURUNDI,**

1. Turarangije Umwaka w'2006 , dutandukiriye uw'2007.

2. Ni dushimire Inama Mushobora vyose yo yazigamye abarundi, ikabashoboza kutangura kunagura ibikorwa vyari vyarahagaze no gusubiza igihugu mu nzira igana iterambere.

3. Vyinshi mu migambi yari y ategekanijwe kurangurwa muri uyu mwaka urangiye, vyaratunganijwe ku rugero rushimishije. Imana Rugiravyose ni ihabwe icubahiro.

4. Kuri uyu musi uri hejuru, turipfurije abarundi bose umwaka mushasha mwiza w'2007. Uze ubabere umwaka w'amahoro n'imigisha myinshi mu ngo, mu miryango, mu mibano, mu kazi no mu yindi mirimo ya misi yose. Ni utubere kandi twese umwaka wo gutekanirwa mu mitima yacu no kumererwa neza kurusha.

5. Turipfuza kandi ko uyu mwaka wobera abarundi bose umwaka w'umwumvikano ntangere, wo gusenyera ku mugozi umwe mu kuronderera hamwe uburaro n'uburamuko kuri twese.

**BARUNDI, BARUNDIKAZI, NCUTI Z'UBURUNDI,**

6. Umwaka w'2006 washitse mu gihe Ubutegetsi bushasha bwari bumaze amezi makeyi butanguye imirimo yabwo, kandi muraziko bwashikiye mu mananiza menshi bwarazwe n'intwaro mfatakibanza yahahora.

7. Imbere yo gutangura neza na neza imirimo yabwo, Ubutegetsi bushasha bwabanje gushiraho inzego nkuru z'igihugu n'uguhinyanyura inzego z'intwaro, hisunzwe ibihe tugezemwo. Ubushikiranganji bumwe bumwe

bwarahinyanyuwe ukundi gushasha („**Politiques sectorielles"**), kandi intumbero zabwo zarizwe zitako ziremezwa. Ubushikiranganji bwose bwaratunganije uko buzorangura imigambi mu gisata bujejwe, bikaba vyaremejwe kandi n'Inama nshikiranganji.

**8.** Mu gihe umwaka urangiye wari ugiye gutangura, Ubutegetsi buhari muri kino kiringo bwarashikirije imigambi izorangurwa kuva mu 2005 gushika mu mwaka w'2010 kandi aho ikivi gishitse twaraye tubishikirije Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka. Ariko kandi mu ntango z'umwaka turangije, twarashikirije abarundi n'amakungu ivyo twabona vyihuta muri iyo migambi kandi twategerezwa kurangura muri uyo mwaka nyene, ***ivyo vyitwa programme d'urgence 2006.***

9. Mu majambo make ivyo twari twiyemeje kurangura uno mwaka vyararanguwe neza kandi turashimiye abarundi bose kuko naho hakiri abagikwega amaguru n'abiziziwe n'ubunebwe, benshi barerekanye uno mwaka ko bipfuza amahoro n'umutekano no gukora bivuye inyuma kugira Uburundi buje nabwo mu nzira y'iterambere.

10. Turashimiye amashirahamwe Mpuzamakungu, ibihugu vy'Akarere turimwo, incuti n'abagenzi b'Uburundi mu mahanga ya kure ibulaya, muri Afrika ,Amerika na Asiya ku kugene bafashe mu mugongo Uburundi muri uyu mwaka wa mbere bumaze bugerageza gusubira guhaguruka, ngo butere intambwe.

**BARUNDI, BARUNDIKAZI, NCUTI Z'UBURUNDI,**

11. Kugira ibijanye n'ubutunzi bisubire kuvyuka, murazi ingingo zafashwe mu ntango z'umwaka w'2006 :

- Kugabanya amatagisi ku mfungurwa ziva hanze akava kuri 30% akaja kuri 5%, amatagisi yasabwa

uwaranguriye hanze akahava, kugabanura ibiciro v'ibinyobwa bihingurirwa muri Brarudi, guhinyanyura no gushiraho amategeko mashasha yorohereza abagwizatunga gukoresha imitahe yabo mu Burundi.

- Ivyo vyaragize akamaro kanini kuko muri rusangi amafaranga atari make yarinjiye mu kigega c'igihugu. Tukaba tuboneyeho akaryo ko gushimira cane abagwizatunga ku kugene benshi muribo bamaze gutahura akamaro ko kuriha amakori, amatagisi ya duane n'ahandi batarinze kugorana.

Tukaba dusavye ko abadandaza bose, abakorera mu mashirahamwe atandukanye n'abikorera utwabo gutahura neza ko gutanga ikori atari igihano, ni igikorwa co kurangurana umutima u gororotse kuko n iyo n zira y o kuronsa igihugu uburyo bwo gushiraho ibifasha abanyagihugu kurangura imigambi y'iterambere.

Mu kigenga ca Leta amafaranga yinjiye uku gukurikira:

Ayavuye hagati mu gihugu:

| **Mu 2006** | **Mu 2005** | Uko vyiyongereye |
|---|---|---|
| Duwane: imiliardi 99,86 | I miliardi 97,20 | 2,73 % |
| ıı kori : imiliardi 96,83 | I miliardi 84,48 | 14,63% |
| **Ibikorwa vyo mu ntwaro:** **i miliardi 35,20** | I miliardi 30,70 | 14,70% |
| Yose hamwe : i miliardi 231,90 | I miliardi 212,38 | 9,19% |

Muri rusangi, amafaranga yinjiye muri Leta m kuriha duwane n'amakori uno mwaka yiyongereyeko i miliardi 20, ni ukuvuga 10%

Imfashanyo ziva hanze zarashitse: Ibanki y'isi yose (Banque Mondiale) yashikirije: i miliardi 75 (**74.893.849380FBU**), Ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Buraya rishikiriza ***10.500.000 EUROS***, Ikigega ca Africa mu biraba Iterambere naco catanze i miliardi 2 (***2.146.744.000FBU)***, ibihugu n'ayandi mashirahamwe ducuditse navyo bitanga imiliardi 38 ***(38.565.362.156***) . ayo yaramaze gushika mu kigega ca Leta. Mu camake, imfashanyo zivuye hanze ziinjiye mu kigega ca Leta ni imiloni 126 z'amadolari

- Ubutegetsi bwaratanguye kuriha abo bufitiye amadeni yafashwe mu ntwaro mfatakibanza. Ayamaze kurihwa ni i miliardi 18 ***(18.389.332.673FBU)***

12. Ku bijanye n'amahoro n'umutekano,

- Ubutegetsi bwasize ico kibazo imbere ya vyose. Ubu mu gihugu cose haratekanye naho hakiriho hirya no hino ibisuma n'izindi nkozi z'ikibi zikoresha ibirwanisho mu kwiba canke mu guhohotera abanyagihugu. Benshi muri bo (90%) barafatwa kandi bagashikirizwa ubutungane. Aha tuboneyeho akaryo ko gushimira inzego zose z'umutekano.

- Ubutegetsi bwaramaze gutangura gusigura umugambi wo kwaka ibirwanisho abatabifitiye uruhusha kandi inkoho 5000 ziramaze gusubizwa n'ibindi birwanisho bitari bike nk'amagrenade hamwe n'amasase. Umurwi ujejwe ico gikorwa warashinzwe.

- Ubutegetsi bwarabandanije igikorwa co gusubiramwo gushasha inzego zijejwe umutekano ( igisoda, igipolisi, urwego rw'iperereza)
- Ubutegetsi bwarashishikaye umugambi wo gusubiza mu buzima busanzwe bamwe mu bahoze ari abarwanyi canke mu gisoda c'igihugu imbere y'amasezerano yo guhagarika intambara burundu. ***Ubu tugeze ku bihumbi mirongo ibiri na kimwe (21.000). Muri abo hakaba hamaze gufashwa mu migambi yo kwiteza imbere abashika 5.000, mu misi ya vuba naho hakazofashwa abandi bashika 8000.***
- Intara za gisirikare n'iz'igipolisi ndetse n'amakambi vyaragendewe mu ntumbero yo kurabira hamwe ingene umutekano wifashe n'ingene wokwongerekana, hamwe no kuganira ivy'igihugu cacu, Baharonkera nabo akaryo ko gutanga ivyiyumviro bafise .
- Harashinzwe ikambi i Randa mu ntara ya Bubanza yo kwakira abarwanyi bo muri PALIPEHUTU-FNL bishikanye canke bafashwe bariko barahungabanya umutekano w'abanyagihugu hamwe n'abafatiwe ku rugamba.

- Ubutegetsi bwarateye igikumu ku masezerano yo guhagarika intambara burundu n'umuhari PALIPEHUTU-FNL kw'igenekerezo rya 7 Nyakanga

2006, haranashirwaho itegeko riha ikigongwe c'agateganyo abarwanyi bo muri PALIPEHUTU-FNL mu ntumbero yo kwitegurira gushira mu ngiro ayo masezerano.

Kubera umutekano wiyongereye, harafashwe ingingo yo gukura itegeko ryabuza kwidegemvya mu masaha akuze y'ijoro mu gihugu cose

13. Ku vyerekeye intwaro,

- Ubutegetsi bwaragerageje kwegereza intwaro abanyagihugu ari naco gituma hari Ubushikiranganji butatu bumaze kwimurira ibiro vyabwo hagati mu gihugu ku mugwa w'intara ya Gitega.

- Umukuru w'igihugu nawe akaba kabiri mu ndwi yagiye arasanga abanyagihugu ku kivi mu gihugu hagati, afadikanije n'Abashikiranganji.

14. Ku bijanye n'imigenderanire n'ugufashanya n'ayandi makungu,

- Abategetsi bakuru bakuru b'igihugu baragize ingendo nyinshi mu makungu mu ntumbero yo gukomeza ubucuti, imigenderanire hamwe n'ugufashanya hagati yUburundi n'ibihugu bibanyi duhana imbibe, ibihugu bigize Akarere turimwo: Urwanda, Tanzaniya, Kenya, RDC, Uganda, Sudani, eka n'ibindi bihugu vy'Afrika nka Nigeria, Libye,Maroc, Afrika y'epfo n'ibindi. Ntibibagiye kandi ibihugu bigize Ubumwe bwa Bulaya, Ubuholande, Ububiligi, Norvège, Ubutaliano, n'ahandi. Baragendeye Asiya mu bihugu vya Japon, Corée, Inde na Chine hamwe na Amerika mu bihugu

vya Canada na Leta zunze ubumwe z'Amerika.

- Abaserukira igihugu cacu mu makungu baragenwe kandi bose baramaze gushika ku kivi.

- Uburundi bufitaniye kandi imigenderanire myiza n'Amashirahamwe mpuzamakungu, ONU, U.A, U.E,...Uburundi bwarizewe na ONU buja muri wa mugambi wo gutsimbataza amahoro mu bihugu bivuye mu ntambara, tukaba mbere twaraye duhawe imfashanyo y'amafaranga 25.000.000 $ kandi iyo ikaba ari intango.

- Ku bijanye n'amashirahamwe ahuza ibihugu vyo mu Karere, U burundi b ufise i kibanza g iteye i gomwe, a ri naco gituma bwaraye bwinjiye mw'ishirahamwe rya Afrika y'Ubuseruko, bukaba kandi bugiye kuba icicaro c'Umunyamabanga Nshingwabikorwa w'Inama ihuza Abakuru b'ibihugu vy'Akarere k'Ibiyaga Binini, arivyo Angola, Uburundi, Urwanda, Kenya, Uganda, Tanzaniya, RDC, République Centrafricaine, Soudan, Zambie na Congo).

- Uburundi kandi bwararonse ikibanza co kurongora ishirahamwe ryitwa Union Parlemantaire Africain kuko isigaye irongowe n'umukuru w'Inama Nshingamateka y'Uburundi, iryo naryo ni iteka ku gihugu cacu .

15. Ku bijanye no kumenyesha amakuru,

- Ubutegetsi bwarorohereje abamenyeshamakuru bigenga, kandi iranabafasha kugira baze barishikira nabo ku kivi mu gihe abategetsi bakuru bagiye gukorera hagati mu gihugu canke hanze y'igihugu.

- Harafashwe ingingo yo gushira umuvugizi w'ubushikiranganji bumwe bumwe bwose kugira abamenyeshamakuru baronke ababashikiriza ibirangurirwa muri buri bushikiranganji.
- Televiziyo y'igihugu yararonse ivyuma bishasha bikomeye bituma y umvikana kandi ikarorerwa m u bice vyinshi vy'igihugu.
- Urwego rukuru rukurikirana umwuga wo kumenyesha amakuru ruriko ruranagurwa kandi n'abamenyeshamakuru bazoronka amakarata abaranga.
- Ibiganiro vyarabaye kenshi hagati y'abamenyeshamakuru n'abategketsi.
- Naho akigoro kakozwe, biraboneka ko intambwe ikiri ndende kugira ngo ico gisata gitere imbere nko mu bindi bihugu.

16. Ku bijanye n'intwaro ibereye, Haratewe igikumu ku mategeko yo kurwanya ukurya ibiturire no kunyuruza itunga ry'igihugu, haraterwa kandi igikumu kw'itegeko rishinga Brigade yo kurwanya kurya ibiturire, irashinga Ubugenduzi bukuru bwa Leta, iragena Uwurongoye ubwo bugenduzi bukuru. Haratewe kandi igikumu kwitegeko rishinga amakomisariya y'iyo Brigande hagati mu gihugu, hatibagiwe Sentare izocira imanza abafashwe bagirizwa kurya ibiturire no kunyuruza ubutunzi bw'igihugu.

17. Ku bijanye n'ubutungane, Ubutegetsi bwaranaguye ico

gisata mu gushinga Inama Nkuru y'Abacamanza. Nk'uko abanyagihugu bagiye barabisaba, hariho amategeko yagiye arasubigwamwo n'ayandi mashasha ajanye n'ibihe vya none yizwe n'Inama Nshikiranganji, agaca mu nama Nshingamateka na Nkenguzamateka, hanyuma agaterwako igikumu; yose hamwe ni 36. Inama nshikiranganji yaremeje itegeko rishasha mpanavyaha. Vyinshi bikaba bitahora bihanwa n'iryari rihasanzwe.

Muri ayo mategeko, twotanga akarorero kuri aya akurikira:

- Itegeko rishasha rirwanya kandi rigahasha ibiturire, kunyuruza no gusesagura ubutunzi bw'igihugu;
- Itegeko rishiraho sentare irwanya ibiturire hamwe na brigade ibituza;
- Itegeko ritegekanya ivyerekeye abakozi ba Leta;
- Amategeko agenga inzego nshasha zijejwe umutekano igisirikare, igipolisi, urwego rw'iperereza;
- Itegeko ryerekeye gukingira, gucungera no kugabanya ibirwanisho bitobito mu Karere k'ibiyaga binini ryarizwe kandi riremezwa;
- Amategeko mashasha mpanavyaha;
- Amategeko yorohereza abazana imitahe no kugurana abanyagihugu;
- Amategeko mashasha agenga umwuga wo kumenyesha amakuru;
- Amategeko agenga amanama n'izindi nzego zitegekanijwe mw'Ibwirizwa Nshingiro; n'ayandi,.....

Muri urwo rw'ubutungane nyene,

- harashizweho abarongora amasentare n'amaparake ku rwego rw'igihugu n'intara.
- Abarongoye urwego rw'ubucamanza baragize isekeza ryerekeye gushira mu ngiro imanza zaciwe ariko zagumye zirindirijwe haraciye imyaka 13.
- Hararekuwe ivy'agateganyo abari bapfungiwe politike bashika 5000, hakaba n'abandi banyororo batari bake barekuwe kubera bakwije ivyasabwa kugira barekurwe, tutibagiye n'abari bapfungiwe ibitazwi.

18. Ku bijanye n'Uburimyi n'Ubworozi, ico gisata carasinzikajwe cane n'intambara. Ubutegetsi bwaratanguye gusubira kukinagura narirya abarundi benshi batunzwe n'uburimyi n'ubworozi.

19. Ariko ihindagurika ry'ibihe, uruzuba, imvura nyinshi n'udukoko twateye tukonona imyumbati, ibijumbu, ibitoke n'amateke mu ntara zitandukanye vyaratumye umwimbu uba muke cane, hamwe hamwe inzara ikaba ikigisibije. Ariko Ubutegetsi bwarakoze ibishoboka mu kugarukira ku bashikiwe n'izo ngorane, kandi n'ubu ikibandanya, yunganiwe n'incuti z'Uburundi n'amashirahamwe mpuzamakungu.

20. Ibigotigoti vy'imyumbati birinda indwara ya mosaique

biracariko biragwizwa, ntiharaboneka ibikwiye kuko bifata umwanya muremure, ariko hari umwizero ko mu mwaka w'2008 Abarundi bose barima bazoba babironse.

21. Ubutegetsi bwarasubijeho ba bigisha b'indimo ikaba imaze gushiraho abashika 1000 mu ntara za Muyinga, Kirundo, Ruyigi, Cankuzo , Makamba na Rutana.

22. Ubushakashatsi mu gisata c'uburimyi n'ubworozi buriko buranagurwa n'amashirahamwe y'abarimyi n'aborozi aratanguye kuronka abayakurikirana mu kubunganira mu vyiyumviro canke mu bumenyi.

23. Ku bijanye n'indero, Ubutegetsi bwarafashe ingingo yo kwigisha abana ku buntu mu mashure matomato. Ubutegetsi rero bubandanya bugwiza amashure, abigisha bwongera burondera ibikoresho vyo gufasha abo banyeshure n'abigisha.

- Gushika ubu hamaze gutangwa amakaye 8.500.000 n'amakaramu angana gurtyo nyene, Ubutegetsi bwarinjije abarimu bashasha 7.300 mu mashure y'intango n'1.500 mu mashure yisumbuye. Hariko haruakwa amashure mato mato ashika 200, ayisumbuye n'ay'imyuga ashika 25. Abanyagihugu bo nyene bariyubakiye amasomero ashika 1500, tukaba twarabahaye amabati yo kuyasakara. Kaminuza nayo iriko irasanurwa.
- Muri Kaminuza kandi, amategeko yorohereza abanyeshure kugira bashobore kumenya ari benshi yarashizweho, ayandi aracanonosorwa.
- Ku bijanye n'ibindi bikoresho: haratanzwe intebe 41.000 hamwe n'ibibaho 3000.

- Harakozwe ibitabo vy'amashure matomato bingana 507.888 n'ivyo mu mashure yisumbuye bingana 178.850.

- Ubutegetsi burafasha bimwe biboneka mu gutanga ivyigwa nkarishabwenge ku barimu. 950 bafise diplome D6 canke A2, bararonse inyigisho zibongerereza ubumenyi mu kwigisha.

- Umugambi wo kwigisha icongereza, igiswahili, icirwa nkundishagihugu mu mashure y'intango ukaba ugiye gutangura kuko ibikoresho bikenewe bimaze kuboneka.

24. Ku bijanye n'amagara y'abantu, Ubutegetsi bwarafashe ingingo yo kuvuza abana bari musi y'imyaka itanu ku buntu,hamwe no kwakira abakenyezi bibaruka ku buntu. Ubutegetsi kandi bwarakoze vyinsi ifadikanije n'amashirahamwe atandukanye mu kurwanya ikiza c'indwara ya sida, hakaba hari abantu bashika 7000 baronse ya miti ya ARV. Amavuriro yari yarugaye, ariko arugururwa, haramaze kwugururwa ayashika icenda.

    - 80% y'abana baracandazwe kandi indwara y'ubukangwe iriko irazimangana mu gihugu kukubera incanco.
    - Ibigo vyo gupima umugera wa Sida bibandanya vyongerekana kandi n'imiti yo gupfupfahaza itangwa k'ubuntu.

25. Igitondo co ku musi wa gatandatu carahebewe ibikorwa rusangi, bikaba bifasha cane mu bijanye n'isuku mu bisagara no mu bikorwa vy'iterambere hagati mu gihugu cane cane mu vyerekeye gusibura amabarabara, gusanura ivyasambutse, no gukingira ibidukikije mu gutera ibiti vyinshi.

26. Ku vyerekeye uburaro, ibidukikije, n'amatongo, gukingira no kubungabunga ibidukikije vyarahawe agaciro uno mwaka,ari naco gituma mu bijanye no

kugwiza uburaro, tubona ko inzu zubakwa habanje guterateranwa ibihimba vyakorewe mu mahinguriro bizofasha mu kutabandanya twonona ibidukikije. Inzu zo kurabira ko akarorero zikaba zarabonetse.

- Ubutegetsi bwa none bwaratanguye gusigurira abarundi umugambi mushasha w'inzu zigizwe n'ibihimba baterateranya vyakorewe mu ma mahingiriro. Ibandanya irondera ibibanza izo nzu zizokubakwako. Ikaba yaramaze gutanguza uwo mugambi mu kwerekana uburorero bw'izo nzu mu kigobe.
- Nayo ivyerekeye iterambere mu gisagara ca Bujumbura, ingingo zo gukura inka mu gisagara zarafashwe, zikaba zimuriwe mu Maramvya muri Komine Mutimbuzi. Izo nka zarabujijwe kwegera ikiyaga Tanganyika kuko zonona amazi yaco kandi adufitiye akamaro kanini.
- Umugambi wo kugira isuku ry'ibisagara wasizwe mu bikorwa rusangi biba imisi yose kuwa gatandatu.
- Ubutegetsi buramaze gufata ingingo zihagije zo gukingira ibidukikije, isi, amazi, amashamba, ikirere n'uguteza imbere igisata c'ingenzi.
- Kugira ngo ikibira n'amashamba bikingirwe neza, harashizweho igipolisi kijejwe gucungera ibidukikije kandi ubu kirarangura akazi kaco.

- Vyongeye ibibanza biranga Kahise k'Uburundi bibandanya bitororokanywa kugira ngo bisanurwe, ibindi vyubakwe.
- Muri uyu mwaka 2006, imivyaro y'ibiti vy'ivyamwa ishika imiliyoni cumi na zitanu (42.000.000) yaratewe.
- Mu mugambi wo gukingira ibidukikije, harashizweho igipolisi co gucungera ibidukikije kandi kimaze gutangura imirimo yaco mu kurwanya abashaka guhonya ibibibira.

**Ku Vyerekeye amazi meza hamwe n'ivyerekeye ubutare n'agataka:**

Ubutegetsi bufashijwe n'ibanki BAD bwarasubiyemwo bimwe bimwe mu vyari vyarononekaye, haba ahari amasoko ntanganguvu, canke ahava amazi yegerejwe abanyagihugu mu ntara za Bururi, Gitega, Kayanza na Ngozi. Harubatswe ibito birenga 45 vyo kuvomamwo amazi meza mu gihugu hagati.

Ubutegetsi bwarahaye impusha zo gushakashaka ubutare b wa N ickel, C obalt, U mujumbu a masosiyete ya BHP Bilton World Exploitation na DANY LAND Limited mu turere twa Nyange – Songa mu ntara ya Makamba na Muremera mu ntara ya Cankuzo.Hari n'ayandi mashirahamwe yahawe utundi turere ngo yagire

ubushakashatsi mu bijanye n'ubutare bw'inzahabu n'ibitoro.

Amasoko ntanganguvu aracari make mu gihugu, amwe amwe mu yariho ugasanga ntakora neza.

Ubutegetsi b ukaba b uguma b wiga u buryo a yo masoko ntanganguvu yogwira, ayandi nayo agasanurwa ku buryo ashobora gutanga umuyagankuba ukwiye.

Amasoko ntanganguvu ya Ruvyironza na Gikonge, ariko aranagurwa tubifashijwemwo n'igihugu c'abashinwa. Kuri ayo twokwongerako amasoko ya Butezi, Murore, Nyabikere na Ryarusera yamaze gusubirwamwo.

Buke buke rero umuyagankuba hagati mu gihugu uriko uragwira kuko muri uyu mwaka amacentres 13 n'amacollèges ya komine ashika 26 yararonse umuyagankuba.

Haratangujwe ivyirwa vyo kurondera ubundi buryo bwo kuronka umuyagankuba uturutse ku zuba, umuyaga n'ibindi,.....

27. Urwaruka, inkino n'imico kama vyararonse ikibanza kibereye muri uno mwaka kuko hararinganijwe amahiganywa menshi mu gihugu. Urwaruka rw'abarundi rukaba rwararonse n'akaryo ko kuja kwerekana ivyo ruzi n'ivyo rushoboye hanze y'igihugu. Imidari myinshi harimwo iy'inzahabu ikaba yaratahutse mu Burundi. Muri ico gisata haranguwe cane cane ibi bikurikira :

- Harakozwe ibikorwa vyo gukurikirana urwaruka mukuruha nyigisho m u m macentres d es j eunes z ituma b isununura m u bumenyibutandukanye;
- Guha indongozi z'urwaruka inyigisho zijanye n'ibikorwa vyo kwitunganiriza no kurongora neza ishirahamwe, hakaboneka umwimbu ushimishije;
- Urwaruka rwararungitswe kurahura ubwenge mu bihugu bibanyi no kubonana n'urundi rwaruka.
- Amashirahamwe atari make y'urwaruka yarafashwe mu mugongo kugira aronke uburyo bwo kurangura imigambi yayo .
- Haratunganijwe ihiganywa z'inkino za CECAFA Junior zabereye hano i Bujumbura
- Haratunganijwe amahiganywa atari make y'umupira w'amaguru, uw'amaboko, eka no mu zindi nkino nk'ukwigina urumuri rw'amahoro abantu biruka mu ntara zose, bongera bakora ibikorwa vyo gukingira ibidukikije no gufasha abakene.
- Haratejwe imbere imigenderanire y'urwaruka rw'Uburundi n'urwaruka rwo mu bindi bihugu vya Buraya bahuriye mu bikorwa vyo kwuibaka amashure n'amavuriro hagati mu gihugu.
- Haratewe igikumu hagati ya Leta y'Uburundi n'igihugu ca Misiri mu vyo guhanahana abamenyereza mu nkino

zitandukanye (Football, Volleyball, Basketball, judo na Boxe,), yongere ashirwe mu ngiro.

28. Haratanzwe ubushimwe bwinshi ku bakoze neza, ku bashinze amashirahamwe haranagayiwe abanebwe n'abigenjeje nabi mu kazi.

29. Mu vyerekeye gutwara abantu n'ibintu hamwe gutumatumanako amakuru :

- Ivyigwa vyo kwubaka ikibuga c'indege ca Bugendana vyaratanguye.
- Harafashwe ingingo zituma ikibuga c'indege ca Bujumbura gikwiza ivyangombwa bisabwa n'amategeko mpuzamangu agenga i kibuga v y'indenge v yakira i ndege z ivuye h anze y'igihugu, haba ku bijanye n'ukugene hazitiye, haba ku bijanye n'ivyuma vyo gucungura umutekano, haba mu vyo kwihweza ibiri mu mizigo canke ibitwawe n'ingenzi. Ico kibuga c'indege cavuye ku manota 10% , ubu cahawe 90%.
- Amabarabara ya RN3: Bujumbura-Rutunga, RN4: Bujumbura Urubibe na RDC na RN10: Rugombo-Kayanza, yarantanguye gusubirwamwo
- Ivyigwa vyerekeye gusubiramwo amabarabara ya RN1, RN5 na RN7 biriko birakorwa.
- Ibijanye no kwiga gusubiramwo amabarabara ya RN12, RN13 n'amabarabara yo hagati muri mairie ya Bujumbura

bikaba vyararangiye , hasigaye gutangura igikorwa co kwubaka.

- Ishirahamwe OTRACO yaruguruye iyindi mihora ishika kuri 6 mu micungararo ya Bujumbura no hagati mu gihugu kugirango uruja n'uruza rw'abantu rworoherwe;
- Abapolisi bacungera amabarabara barongerejwe.
- Ivyerekeye gutumatumanako amakuru biriko biratera imbere: Téléphone ngendanwa zirakora mu gihugu cose.
- Uburundi bukaba bukurukiranira hafi ibijanye n'umugambi EASSY (Réseau régional de cables à fibres optiques kugira nabwo ntibuzosigare inyuma );

**BARUNDI, BARUNDIKAZI, NCUTI Z'UBURUNDI,**

30. Murumvise ibikuru bikuru mu vyaranguwe kandi vyinshi ni ivyo mwibonera, twaraye dushoboye guhaguruka, ni muze rero dutambuke, tutere tuja imbere. Abacisigaza inyuma, ni banyaruke, maze twese tuje ku mudiho umwe, dukore ibiteza imbere igihugu, bikongera bikagihesha iteka.

31. Muri uyu mwaka utanguye w'2007, dusavye abarundi bose gutsimbataza amahoro n'umutekano aho baherereye no mu gihugu cose, gukomeza intwaro ibereye mu gushira mu ngiro no kugendera amategeko amaze gushirwaho. Muri ico gisata, Ubugenduzi bwa Leta bugiye gutangura igikorwa cabwo kandi hazoshirwaho abagize ya Brigade irwanya ibiturire no kunyuruza itunga ry'igihugu, hamwe n'abagize Sentare yo gukwirikirana abagiriye ibiturire, n'abanyuruza itunga ry'igihugu.

32. Mu vyerekeye uburimvyi n'ubworozi, abarundi benshi batunzwe n'uburimyi, ni ngombwa rero ko ubushakashatsi muri ico gisata bukomezwa, kandi bugashigikirwa.

a) Rero hazonagurwa ibisata bijejwe ubushakashatsi mu vy'uburimyi n'ubworozi,
b) Hazobandanywa umugambi wo kurondera abigisha b'indimo kugira aho batarashika baboneke.
c) Ubutegetsi buzobandanya bushigikira abanyagihugu bashinga amashirahamwe yerekeye ibikorwa vyo kurimira hamwe kugira ngo umwimbu wiyongere.
d) Hazotezwa imbere imigambi ijanye no gufasha abarimyi kwiziganiriza no guhana ingurane.

33. Mu vyerekeye ubutunzi, urudandazwa n'amahinguriro, Uburundi bwarinjiye mw'ishirahamwe ry'Afrika y'Ubuseruko, hazofatwa ingingo zituma twubahiriza amasezerano ari hagati y'ibihugu bigize iryo shirahamwe. Ishirahamwe C EPGL r izotangura k unagurwa m u misi iri mbere.

Kugira ubutunzi bunaguke, kandi igihugu c'uburundi gishobore guhiganywa n'ibindi bihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko duheruka kwinjiramwo, amabanki ya hano mu gihugu ategerezwa guhindura uko asanzwe akora, amwe amwe akaja hamwe mu ntumbero yo gufatanya umutahe n'ugushira hamwe ubuhinga, grtyo abagwizatunga b'abanyamahanga bagashobora kuyizera.

Dusanga amabanki yo mu Burundi akoreshwa, haba mu kubika canke mu kugurana imitahe, akoreshwa n'abantu bari ku rushi badashika n'ibice 10% vy'abarundi. Tugiye gufata ingingo zituma amabanki nyezina agabanuka canke aja hamwe, hagwizwe kandi hakomezwe igisata c'amabaki bita (Microfinances ) atanga ingurane ntonto zishobora gufasha abanyagihugu benshi.

Hari amashirahamwe atandukanye agiye gushirwa mu minwe y'abikorera utwabo, aha twovuga nkamacuniro y'i Bujumbura (Abattoir de Bujumbura), BCC( Burundi Coffee Company), OPHAVET, ALM (Agence de location du Matériel, LNBTP( Laboratoire National des Batiments des Travaux Publics, n'ayandi.

34. Mu vyerekeye kwiyunguruza no gutumatumanako, muri ico gisata harakozwe vyinshi uyu mwaka urangiye cane cane mu gutunganya ikibuga c'indege ca Bujumbura kugira kigire ibisabwa n'amategeko mpuzamakungu ku bibuga vyakira indege zivuye hanze. Harafashwe n'ingingo zo kwubahiriza amategeko ku mabarabara. Muri uno mwaka w'2007, twipfuza ko ibikorwa vyo gusanura no kwubaka amabarabara aho akenewe bitangura koko.

35. Mu vyerekeye intwaro, hari imirwi y'igihugu bita Conseils nationaux itegekanijwe mw'ibwirizwa nshingiro, yose izoshirwaho uno mwaka kugira ifashe guterera ivyiyumviro mu vy'ubutunzi no mu mibano, mu vy'amahoro n'umutekano, mu gukurikirana ivyerekeye kumenyesha amakuru no guterera mu bijanye n'ikibazo co gushira ahabona ukuri kuri Kahise k'Uburundi no kurekuriranirana.
Hazoshirwaho kandi Umuhuza w'abanyagihugu n'Ubutegetsi yitwa Ombudsman nkuko bitegekanijwe n'ibwirizwa Nshingiro.
Vyongeye, hazoshirwaho Umurwi ujejwe gutohoza ukuri no kurekuriranirana.

**BARUNDI, BARUNDIKAZI, NCUTI Z'UBURUNDI,**

Mu ntumbero no mu ngendo nsansha yo kworohereza abanyagihugu , dufashe ingingo zikurikira :

I. Mu myaka ishize, ibinyamakuru vyaragize ibibazo vy'ubutunzi gushika aho usanga biheraniye Leta amahera menshi usanga ubu atavyorohera kwishura. Mu ntumbero yo gushiogikira no gufata mu mugongo umugambi wo kumenyesha amakuru biciye ku maradiyo canke muri bwa buhinga bwa internet, Leta irahevye amadeni yose amaradiyo ayifiye ayo nayo ni aya akurikira :

RTNB : 120.386.158 FBU
Radio Culture : 28.458.271 FBU
Radio umwizero: 8.022.102 FBU
Radio CCIB: 24.345.000 FBU
Radio Nderagakura: 30.010.182 FBU
Radio Renaissance : 10.244.001 FBU
Radio isanganiro: 70.286.438 FBU
Radio Ijwi ry'Amahoro: 4.247.439 FBU

Ishirahamwe ARCT risanzwe riha amaradiyo uburenganzira bwo gukora hamwe n'imirongo yo kuvugirako, rigiye kugabanya amafaranga atozwa ku mwaka kuri emetteur imwe imwe.Ayo mafaranga yahora ari 3.000.000 ku mwaka kuri buri emetteur, ubu azoba ari 1.500.000 ku mwaka kuri emetteur imwe imwe.

Dusavye kandi ARCT guheba amafaranga yerekeye uburenganzira (licence) yahaye amashirahamwe USAN na CBINET zironsa imihora ya internet abakoresha ubuhinga bwa ordinateur kugira amakuru abashikire. Ayo mafaranga angana 103.299.768 kuri USAN na 107.251.025 kuri CBINET.

Turasavye dushimitse ko amaradiyo atosubira kwirengagiza kuriha kandi ku gihe. Iradiyo izorenza ikiringo co kuriha izoca ifatirwa ingingo ubwo nyene.

Kugira kandi dufashe abanyagihugu gutera imbere mu vyo guhahana amakuru no kwungurana ubumenyi, ibikoresho vyo kwandika no gutumatumanako amakuru (matériel informatique) hamwe na terefone ngendanwa (téléphones mobiles) bizokwinjira mu Burundi bitarinze gutanga amatagisi n'amakori ya duwane, co kimwe n'ibitabo vyo kwigiramwo mu

mashure (Livres scolaires).

II. Mu ntumbero yo kugwiza umwimbu, aberekanye imigambi ya kijambere yo kurima no kworora kandi iteguye neza, dusavye ko batizwa isi ndimwa k'ubuntu mu ntara za Cankuzo, Ruyigi, Muyinga, Karusi n'ahandi. Mu gihe hari uwuzoba yatijwe aho arima canke yororera hakarenga umwaka ataco arahakorera, azoca ahakwa.
Vyongeye, Ubushikiranganji bw'uburimyi n'ubworozi, bufadikanije n'uburaba ivy'amatongo n'ibidukikije busabwe gutunganya amatuta ashobora gutanga imivyaro myinshi y'ibiti; abapolisi n'abasirikare nabo biyemeje kuzobitera aho hose bizoba ari nkenerwa.

III. Mu kugura canke mu kugurisha inzu, hariho tagisi ingana 17% y'igiciro c'inzu yatangwa nkuko biri iyo hagurishijwe ico arico cose mu mangazini, hamwe n'amafaranga 6% y'ico giciro yatangwa kugira inzu yagurishijwe yandikwe ku wuhejeje kuyigura. Ayo matagisi yose arahavuye, asubiriwe n'itagisi y'amahera angana 3% y'igiciro c'inzu.

IV. Hariho ubuhinga bwo gukoresha inguvu ziturutse ku zuba canke ku muyaga (energie solaire et energie eolienne) ibikoresho bijanye nivyo bizokwinjizwa mu gihugu bitarinze gutanga tagisi kuri duwane.

V. Intano, imfuvyi zabuze abavyeyi bompi hamwe n'abapfakazi bariko bariga canke bashaka kwiga mu mashure matomato, ayisumbuye canke ayo muri Kaminuza bazokwiga ku buntu. Dusavye ko n'abafise amashure ya Kaminuza yigenga canke ayisumbuye gukurikiza iyo ngingo. Iyo ni intererano yerekana urukundo rw'ukuri.

VI. Inzego z'ubutungane tuzisavye kwihutira kurekura ivy'agateganyo abafunzwe bari mu mirwi ikurikira:

- Abapfuzwe ata madosiye bagiriwe.
- Abapfunzwe kandi umucamanza abijejwe atigeze yemeza ko baguma bapfunzwe mu kurindira ko amatohoza abandanya canke ko imanza zibega zibandanya.
- Abapfunzwe kubera umucamanza abijejwe yari yavyemeje mugabo igihe gitegekanijwe n'ingingo z'igitabo kigenga ingene imanza zicibwa mu Burundi cararenze kandi uyo mucamanza atasubiye kuvyemeza.
- Abapfunzwe bafise amadosiye amaze igihe kirenga umwaka mugabo batigeze barengutswa imbere ya Sentare ngo ibacire urubanza, ndetse n'Umucamanza yagize itohoza atigeze yerekana ibikenewe.
- Abapfunzwe amadosiye amaze imyaka ingana canke irenga itatu imbere ya Sentare mugabo batigeze bacirirwa urubanza na rimwe.

Umushikiranganji w'ubutungane asabwe guca akora ibishoboka kugira izo ngingo zubahirizwe , asabwe kandi gushiraho umurwi ujejwe ishirwa mu ngiro itegeko ry'Umukuru w'igihugu rifise N° 100/ 360 ryo ku wa 22 Kigarama 2006 rifata ingingo zo kugirira ikigongwe abanyororo

Vyongeye, hari abanyamahanga 22 bigenjeje neza, basavye kuronka u bwenegihugu, b akaba abarundi, u bwo bwenegihugu baraye babukomorewe n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu N° 100/361 ryo ku wa 22 Kigarama 2006.

## ABARONSE UBWENEGIHUGU IGENEKEREZO RYA 22 KIGARAMA 2006.

| N° | AMAZINA | AKARANGA-GIHUGU | ITARIKI Y'AMAVUKA | AHO ABA UBU |
|---|---|---|---|---|
| 1 | CHIARINI ENZO | Umu Taliyano | 1943 i Teramo | |

| | | | | |
|---|---|---|---|---|
| 2 | Patiri STUDER URS | umu Suisse | 1960 i Aaron | Paroisse Mukiza Mweranda mu Nyakabiga |
| 3 | NASSOR SAID HAMED TOKI | Umu Omani | 1928 i Muyinga | Gitega |
| 4 | RAYYA JAMEEA | Umu Omani | 1936 | Gitega |
| 5 | SELEMANI KALFAN | Umu Omani | 1943 | Muyinga |
| 6 | AMUR SELEMANI | Umu Omani | 1958 | Bujumbura, Q. Asiatique |
| 7 | KHALID FOZ | Umu Yemeni | 1950 | Bujumbura, Q. Asiatique |
| 8 | KWIBE JUMA | Umu Kongomani | 1954 | Buyenzi 12/41 |
| 9 | PARJEE MOHAMED | Umu Tanzaniya | 1972 à Muyinga | Bujumbura, Q. Industriel |
| 10 | JAMAL KARIM | Umu Pakistani | 1952à Muyinga | Muyinga |
| 11 | GULBANOO UMAR | Umu Pakistani | 1947 | Muyinga |
| 12 | RUTAMU Zacharie | Umunyarwanda | 1945 à Nyabisindu (Butare-Rwanda) | Buyenzi 13/35 |
| 13 | GEZGEZ KASESA | Umu Kongomani | 1974 | Buyenzi 12/38 |
| 14 | MUMTAZ SELEMANI ALI | Umu Pakistani | 1957 | Muyinga |
| 15 | NZEYIMANA Paul | Umunyarwanda | 1957 à Shyanda (Butare-Rwanda) | Bujumbura, Q.Industriel |
| 16 | JUMAINE MWINA | Umukongomani | 1936 | Kamenge Q. Twinyoni 11/263 |
| 17 | NYABONGO Emmanuel | Umukongomani | 1957 | Nyakabiga 14/8 |
| 18 | HARUNA GAHUTU | Umunyarwanda | 1942 i Butare-Rwanda | Ngozi |
| 19 | MUKOKYA ZEBEDE | Umukongomani | 1957 | Bwiza 8/25 |
| 20 | KALUYA Jean de | Umukongomani | 1952 | Bwiza 4/39 |

| | | | | |
|---|---|---|---|---|
| | Dieu | | | |
| 21 | HASHAM SAMMA | Umutanzaniya | 1946 à NGARA (Bukoba-Tanzaniya) | Muyinga |
| 22 | LWINDI KWIYUSILA KIBAMBA Hamwe n'abana 6 bakwirikira: | Umukongomani | 1955 | Nyakabiga II 12/1 |
| | KIBAMBA SAFI Francine | Umukongomani | 28/02/1987 | Nyakabiga II 12/1 |
| | KIBAMBA SAFI Mireille | Umukongomani | 18/05/1989 | Nyakabiga II 12/1 |
| | KIBAMBA Yamungu Schadrack | Umukongomani | 22/08/1991 | Nyakabiga II 12/1 |
| | KIBAMBA Christian | Umukongomani | 21/09/1993 | Nyakabiga II 12/1 |
| | KIBAMBA Daniel | Umukongomani | 26/09/1995 | Nyakabiga II 12/1 |
| | KIBAMBA Joël | Umukongomani | 25/11/1998 | Nyakabiga II 12/1 |

Hariho n'abandi babisavye, ariko amadosiye yabo aracihwezwa, bazoronka inyishu mu misi iri mbere.

VII. Abamugajwe n'intambara, baba abanyagihugu canke abahora ku rugamba, bagiye kuvugwa ku buntu mu mavuriro ya Leta.

VIII. Amahera yahora asabwa abagiye kwandikisha abitavye Imana arahavuye.

IX. Ingenzi ziza mu Burundi ziituruka mu gihugu kibanyi ca RDC zizokwijira mu Burundi zitiriwe zirasabwa Visa.

X. Mu nzego z'umutekano, hari abakoze neza gusumba, dushimiye mu buryo budasanzwe, tukaba tubahaye agashimwe ko kuduzwa ipete hamwe n'amafaranga y'amarundi angana 1.000.000

Mu gipolisi ni aba bakurikira:

- OPC2: MANIRAKIZA Christophe: Komiseri w'akarere ka kabiri k'igipolisi;
- OPC3 NDAYAMBAJE André: akorera mu Buyobozi Bukuru bw'igipolisi aho asanzwe ajejwe ibiro vy'ibikorwa, inyigisho n'imyimenyerezo y'igipolisi.
- OPP1 HABONARUGIRA Antoine: Umuhanuzi mu vyerekeye intwaro mu gisata gikurikirana ibibazo vy'igipolisi mu biro vy'Umukuru w'igihugu ;
- OPP1 NIKIZA David : Commandant GMIR.
- BP2 ABAYISENGA Aster, chef de poste CIYA.

Mu gisirikare naho ni aba bakurikira:

- General de Brigade NIMUBONA Sylvestre, S0340: **Ku wa 13 Mukakaro 2006 yarakurikiranye umusuma yari afatiye inkoho ku mukozi wo muri interbank ashaka kwiba**

- Col KAMOSO, S0643, **initiatives zishimishije mu kwubaka aho kugirira imisi mikuru no gusengera hamwe n'aho kuvurira mu gisirikare, eka n'aho kuzimiriza akanyota ku basirikare bakuru bakuru**

- Major KABISA, 66584, **atanga akarorero keza mu gukora nkuko bisabwa ivyo vyose bamushinze**

- Adjdant R UPIYA P hilbert, C 3054 : ***aherutse kuva gukarisha ubwenge i Libreville, aho yabaye uwa mbere mu vyerekeye ama auto engin blindé muri Bde ya CEEAC.***

- Caporal MPOREBANGWE , 25408: ***yaramenyesheje ko hari umusuma yari aje kwiba ibikoresho vya Gisirikare ngo abijane muri FNL.***

- Naho bimeze gurtyo, hari umupolisi OPP2 NIBARUTA Jean Baptiste, S1058 niyo nimero matricule yahorana kera muri gendarmerie, yarahunze ku wa 27 Ntwarante yivye amafaranga y'imishahara y'abapolisi ashika

7.824.210, yarafatiwe muri Kenya,aragarukanwa, ubu ari mu minwe y'igipolisi c'Uburundi, dusavye ko yohanwa vy'akarorero, kandi n'uwo wese yiyumvira ko azokora ikibi ngo azohungira mu bindi bihugu, amenye ko impera n'imperuka azofatwa.

- Mu bamemenyashamakuru, turashimiye umumenyeshamakuru Jeanine NAHIGOMBEYE wo kuri Radiyo Isanganiro ku kugene yaranguye neza umwuga wiwe muri uno mwaka, nawe nyene aronse agashimwe k'amafaranga 1000.000 y'amarundi.

36. Mu kurangiza rino jambo, turamenyesheje ko Ubutegetsi bwashize imbere indero y'ibibondo, ubumenyi mu rwaruka kandi bwipfuza kubona abarundi bijukira ibikorwa. Burita ku rutare bukora ibishoboka vyose kugira burabe k o h oboneka a karusho k u b akozi b ose. Twese turazi amikoro ya Leta n'ukugene ikigega cayo kingana. Dukwiye kwikebuka, tukabanza nyabuna gukora bimwe biboneka, hanyuma tukabona kurondera impembo ikwiye.

37. Nico gituma ubutegetsi bw'Uburundi busubiye gutera akamo abakozi ba Leta ngo biteho gusumba imirimo bajejwe kuko niyo itunze imiryango kandi ikagira intererano ntangere mw'iterambere ry'igihugu. Ni ko turazi neza ko agashahara baronka kadakwiye uravye ibihe tugezemwo, ariko ntigashobora kwiyongera mu gihe tutijukiye ibikorwa ubutunzi ngo bwiyogere nabwo butabanje kwiyongera. Amasendika turayasavye dushimitse ngo yame atunganya ibikorwa vyayo yisunze amategeko ayagenga. Tuyasavye kandi ngo yumve neza ko igihugu aho kivuye hatari hameze neza, yongere akubitize agatima mpembero ku kigoro ubutegetsi budahengeshanya gukorera abanyagihugu, abari muri

ayo masendika nabo barimwo.

38. Abakozi ba Leta, tubasavye gushira imbere na ntaryo umutima wo gukunda igihugu cabo bakavavanura n'ingeso yo kwama mu migumuko ataho ishikana igihugu atari ukugisubiza inyuma bikanabaviramwo kutaronswa agahembo k'imisi batakaje mu guta imirimo. Hari ivyo basaba, bobicisha mu nzira y'umwumvikano kandi bagashira imbere ugutahura.

39. Dusavye kandi abarundi bose kubandanya bijukira imigambi yo kwiteza imbere no gusanura ivyasambutse, maze dutane n'agati ingendo yo kwama turondera kwisamburirako nk'impene.

40. Dusubiye gusaba Imana Mushoboravyose ngo uyu mwaka ube uwo gukorana imitima igororotse, umwaka w'umwumvikano n'akamwemwe mu ngo zose no mu mirimo ya misi yose.

41. Turashimiye amashirahamwe ONU na UA, Ibihugu bigize Akarere turimwo, Ibanki y'isi yose, ikigega c'isi yose FMI, BAD, ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Bulaya, n'ibihugu bigenzi ku kugene vyadufashe mu mugongo hamwe n'abakozi b'Imana basengera igihugu cacu ijoro n'umurango.

**Imana Mushoboravyose ihezagire Uburundi n'Abarundi n'incuti zacu,**

**Ni harambe Urukundo n'Ubumwe mu Barundi,**

**Umwaka mwiza kuri twese**

**Murakoze**